## AHATANGIGWA AMAKURU AJANYE N' AMATEGEKO

I Sentare nkuru ifise Igisata gitangigwako Amakuru ajanye n' Amategeko k' ubuntu kandi ku muntu wese mu igorofa ya 2 y'inyubako ya Sentare. Hano urashobora:

- Kuronka impapuro zijanye n' amategeko
- Gukoresha icuma ngurukana bumenyi no gusohoza impapuro ukoresheje icuma gisohora impapuro
- Gukora fotokopi
- Gufashwa mu kuronka abashingwamanza(abavoka) k'ubuntu n'abatazimvye
- Kumenya aho wokura ubufasha

Abakozi babijejwe barashobora kuboneka kuri terefone

**(520)724-8456**
canke imeri
**lawlibrary@sc.pima.gov**

## AMATEGEKO YO KURINDWA N' AYO KUGWANYA KUBUZWA UMWIDEGEMVYO

Nimba wewe canke umwe mubo mu muryango wawe ashobora guhura n'ikibazo co gutotezwa mu rugo rwiwe canke bikozwe n'uwundi muntu wo mu muryango, uwo mwubakanye, canke uwo mwari mwarubakanye, canke musangiye ubundi bucuti, ushobora gusaba Itegeko ryo Kurindwa. Amabwirizwa yo kurwanya Kubuzwa umwidegemvyo ashobora gukoreshwa mu matati yabaye hagati y'ababanyi canke abandi bantu.

Ifomu zo gusaba itegeko ryo kurindwa zuzurizwa kumurongo wa AZPOINT (https://azpoint.azcourts.gov).

**Imbere yo gusaba Itegeko ryo Kurindwa**

Ushobora kuvugana n'uwujejwe kwumviriza abahohotewe imbere yo gutanga dosiye uterefona kuri **(602) 279-2900** canke **(800) 782-6400**

Usabwa kuja ku Sentare ya Arizona gutanga icifuzo cawe. Iyo umucamanza yemeye icifuzo cawe, Itegeko ryo kurindwa barirungika ku munsi ritangiweho. Ata kiguzi gisabwe.

**Iyo ukeneye ubufasha bw'ururimi kugirango wuzuze impapuro za Sentare, harimwo n'Itegeko ryo gusaba kurindwa, hamagara CITS (Serivisi zabasigura indimi ba sentare).**

kuri terefone
**(520) 724-3888**
canke imeri
**sccits@sc.pima.gov**

## GUTANGA IBIREGO

Nimba ubona utahawe ubufasha bw'ururimi bukwiye kwi sentare canke mu gukurikiranwa vya hafi, canke serivisi iyariyo yose yatanzwe na Sentare, rungika ***Ifomu yo kurega kuri Serivisi za Sentare z' Ubufasha bw' Indimi.***

Urashobora kuronka iyi fomu uhamagaye CITS kuri numero ziri hejuru canke ukavana urupapuro kuri uru rubuga rwa Sentare (www.sc.pima.gov).



# KIRUNDI

## KURANGIRA ABAKENERA UBUFASHA MW'I SENTARE BAFISE UBUMENYI BW' ICONGEREZA BUKE

## (LEP)

ARIZONA SUPERIOR COURT
PIMA COUNTY

110 W. Congress Street
Tucson, AZ 85701

**(520) 724-4200**

**www.sc.pima.gov**

## SERIVISI Z'ABASIGURA INDIMI ZA SENTARE(CITS)

### Sentare Nkuru: (520) 724-3888

Serivisi z'Abasigura indimi za Sentare (CITS) Igisata ca Sentare Nkuru Ya Arizona muri kawunti ya Pima biyemeje kurengera no gukurikirana uburenganzira bw'abantu bose mu buryo bwiza. **Ubumenyi buke bw'icongereza canke ubumuga bwitumanaho ntibishobora kuba inzitizi.**

Nimba ukeneye serivisi zo gusigurirwa ururimi canke ukeneye ubufasha bwihuta mu gihe c' urubanza, hamagara ibiro vya CITS kugirango utegure uwugusigurira ururimi ukwiye,mbere yo kwitaba Sentare.

## IYO UKORESHEJE UWUGUSIGURIRA URURIMI WA SENTARE

Mu gihe uburana mw'I Sentare, Tumbereza ivyiyumviro vyawe n'amajambo yawe k'umucamanza canke uwo ubwira (aho kubwira Uwugusigurira wa Sentare).

Uwugusigurira agufasha kuvugana n' umushingwamanza(avoka) wawe, abakozi ba Sentare, n'umucamanza mu gihe c' urubanza.

Akazi k'uwugusigura nukugushikiriza neza ivyavuzwe, ataco yogeyeko, ataco akuyeko, canke ngo hagire icarico cose gihindurwa ku vyavuzwe.

Nturekuriwe guhaririza uwuriko aragusigurira ku bijanye n'amategeko. Abasiguzi ntibarekuriwe kugira aho bahengamira kubw' impamvu z'umwuga.

## IYO UKORESHEJE UWUGUSIGURIRA URURIMI WA SENTARE KURI TELEFONE

Uwugusigurira ururimi azokwivuga mu ntango. Igihe ico ari co cose utunvise neza canke utari kunva uwugusigurira bimenyeshe umushingwamanza ako kanya, niyo vyosaba gucira nw' ijambo abariko baravuga.

## UWUSIGURA URURIMI WA SENTARE NTASHOBORA

- Gutanga ivyiyumviro kubijanye n' amategeko canke gutanga impanuro ku giti ciwe.
- Kwishura ibibazo bijanye n'amategeko canke inzira zemewe n'amategeko.
- Kukubwira ivyerekeye ikibazo cawe.
- Kugusobanurira ico amajambo asigura, canke ibibera mw'I Sentare.
- Kugira ico muvugana, umuryango wawe, canke umuntu wese ufise uruhare mu kibazo cawe.




## INGINGO ZO KWITONDERA

- Soma neza kandi utahure amabaruwa yose yo muri Sentare.
- Witondere cane amatariki yo kwitaba mw'I Sentare n'amatariki ntarengwa.
- Ntukirengagize impapuro zo guhamagazwa, canke ivyo Usabwa vyose n'amategeko.
- Kugerera mw'I Sentare ku gihe.
- Kumenyekanisha nimero ya terefone, n'aderesi mu Sentare igihe cose bihindutse.
- Nimba ukeneye serivisi zo gusigurirwa canke ubufasha bwihuta, hamagara **(520) 724-3888** usabe ubufasha ukimara kumenya itariki n'isaha uzokwitabira mw'I Sentare.
- Ushaka amakuru yerekeye ibiciro vyo gutanga ibirego, canke gukurirwaho ikiguzi, hamagara Umukozi wa Sentare abijejwe kuri **(520) 724-3200**.